# None burya Imana Allah ntiyabahaye ivyo mwotangako imperezwa!? Mu vy'ukuri, ininahaza n'itaziramana ryose "TASBIIH", ni imperezwa; ikuzamana ryose "TAKBIIR", ni imperezwa; ishimagizamana ryose "TAHMIID", ni imperezwa; iyemanga ry'uko Imana Allah ari Imwe Rudende "TAHLIIL", ni imperezwa; ukubwiriza abantu gukora ivyiza, ni imperezwa; ukubuza abantu gukora ibibi, ni imperezwa; vyongeye, no mu kurangura amabanga y'abubatse, harimwo imperezwa

Mu vyakiriwe na Abu Dharri (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko hari abantu mu ngendanyi z'Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) bigeze kumubwira n'impungenge n'akantu bati: "Ewe Ntumwa y'Imana! Abatunzi baramaze gutwara indishi zose, basenga nk'uko dusenga, bagapfunga nk'uko dupfunga, bagaheza bagatanga imperezwa mu birenzeko mu matungo yabo"; aca abishura abahumuriza ati: "None burya Imana Allah ntiyabahaye ivyo mwotangako imperezwa!? Mu vy'ukuri, ininahaza n'itaziramana ryose "TASBIIH", ni imperezwa; ikuzamana ryose "TAKBIIR", ni imperezwa; ishimagizamana ryose "TAHMIID", ni imperezwa; iyemanga ry'uko Imana Allah ari Imwe Rudende "TAHLIIL", ni imperezwa; ukubwiriza abantu gukora ivyiza, ni imperezwa; ukubuza abantu gukora ibibi, ni imperezwa; vyongeye, no mu kurangura amabanga y'abubatse, harimwo imperezwa". Ba bantu baca bavuga mu gutangara n'akantu bati: "Ewe Ntumwa y'Imana! Vyumvikana gute ko umwe muri twebwe arangura amabanga y'abubatse mu kurondera kuryoherwa, hanyuma akabironkeramwo impera!?"; aca arabishura ibagondoza iti: "Mbega none mubona gute mu gihe yoronderera ukwo kuryoherwa mu bizira (mu gusambana), yokwandikirwa icaha?, ni nk'uko nyene rero no mu gihe arondeREREYE ukwo kuryoherwa mu birekuwe, araheza akandikirwa indishi".

[صحيح] [رواه مسلم]

Bamwe mu bakene b'ingendanyi barashikirije Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) akarigangamuhogo kabo mu kumuganyira ukungene babayeho mu bukene butagira uko busa, bigatuma badashobora gutanga imperezwa ku matungo mu

kurondera indishi nyinshi nka zirya izindi ngendanyi zitunze zironka mu gutanga; mu gihe izo ngendanyi zitunze zisenga nk'uko na twe dusenga, zipfunga nk'uko na twe dupfunga, zigatanga imperezwa mu birenzeko mu matungo yazo, mu gihe twebwe tudashoboye kuyitanga kubera ubukene dufise! Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaciye abereka ibikorwa bashoboye gutangako imperezwa, maze (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ababwira ati: None burya Imana Allah ntiyabahaye ivyo mushobora gukora mukaba mwokwandikirwa imperezwa!?Mu vy‘ukuri ukuvuga muti: "SUB-HAANA LLAAH", harimwo indishi y'imperezwa kuri mwebwe; ukuvuga muti: "ALLAHU AKBAR", harimwo indishi y'imperezwa kuri mwebwe; ukuvuga muti: "LAA ILAAHA ILLA LLAAH", harimwo indishi y'imperezwa kuri mwebwe; ukubwiriza abantu gukora ivyiza, harimwo indishi y'imperezwa kuri mwebwe; n'ukubuza abantu gukora ibibi, harinwo indishi y'imperezwa kuri mwebwe; vyongeye, mbere no mu kurangura kw'umwe muri mwebwe amabanga y'abubatse, harimwo indishi y'imperezwa kuri we. Ingendanyi zari ng'aho, zaciye zitangara, maze zivuga ziti: Ewe Ntumwa y'Imana! Vyumvikana gute ko umwe muri twebwe yoryoherwa muri iryo rangura ry'amabanga y'abubatse, hanyuma akabironkeramwo indishi!? Aca yishura aziha akarorero ati: Mubona gute mu gihe yorondera kuryoherwa mu gukora ibizira nko gusambana n'ibindi, yokwandikirwa icaha? Ni nk'uko nyene rero, no mu gihe yorondera kuryoherwa mu kurangura amabanga y'abubatse n'umukenyezi wiwe araheza akandikirwa indishi.

https://www.sunnah.global/hadeeth/rn/show/4558